INAMA
NKENGUZAMATEKA

Adresse : Avenue du Peuple
Murundi
B.P. : 114 Gitega
Tél : (+257) 22 40 50 08
Site Web : www.senat.bi
e-mail : info@senat.bi

REPUBLIQUE DU BURUNDI

SENAT

N. Réf : *SNB/ COM.II et III/.../2023*

Gitega, le 02 / 8 / 2023

A Son Excellence Très Honorable
Président du Sénat
à
**Gitega**

**Objet** : Transmission d'une question orale

Excellence Très Honorable Président,

Nous avons l'honneur de vous transmettre en annexe à la présente, **la question orale avec débat adressée aux Ministres ayant l'intérieur, le commerce et les finances dans leurs attributions par la Commission permanente chargée des questions institutionnelles, juridiques et des droits et libertés fondamentaux et celle chargée des questions économiques, de l'environnement, des finances et du budget.**

Vous en souhaitant bonne réception, nous vous prions d'agréer, Excellence Très Honorable Président, l'assurance de ma très haute considération.

**POUR LA COMMISSION PERMANENTE CHARGEE DES QUESTIONS ECONOMIQUES, DE L'ENVIRONNEMENT, DES FINANCES ET DU BUDGET ;**

**Sénateur Pacifique NDIHOKUBWAYO, Président.**

**POUR LA COMMISSION PERMANENTE CHARGEE DES QUESTIONS INSTITUTIONNELLES, JURIDIQUES ET DES DROITS ET LIBERTES FONDAMENTAUX**

**Sénatrice Benoîte NIZIGIYIMANA, Président.**

**INAMA NKENGUZAMATEKA**

**Adresse : Avenue du Peuple Murundi**
**Tél : (+257) 22 40 50 08**
**: (+257) 22 40 50 23**
**Site Web : www.senat.bi**
**E-mail : info@senat.bi**
**: senat@senat.bi**

REPUBLIQUE DU BURUNDI

**SENAT**

**Gitega, le 03/08/ 2023**

**N. Réf : SNB/CP/346/2023**

**Transmis copie pour information à :**
Son Excellence Monsieur le Président de la République, avec les assurances de notre plus haute considération.

**A Son Excellence Monsieur le Premier Ministre de la République du Burundi**
**à**
**BUJUMBURA**

Excellence Monsieur le Premier Ministre,

Conformément aux dispositions de l'article 207 de la Constitution de la République du Burundi et de l'article 122 du Règlement Intérieur du Sénat relatifs aux questions orales avec débats adressées aux membres du Gouvernement par le Sénat, nous avons l'honneur de vous transmettre une question orale avec débats adressée conjointement aux Ministres ayant l'intérieur, le commerce et les finances dans leurs attributions.

Nous vous saurions gré de bien vouloir inviter les Ministres concernés à venir y répondre au cours de la séance plénière prévue au siège du Sénat, mardi le 08 août 2023 à partir de 09 heures.

Veuillez agréer, Excellence Monsieur le Premier Ministre, les assurances de notre très haute considération.

**Le Président du Sénat,**

**Très Hon. Emmanuel SINZOHAGERA**

REPUBLIQUE DU BURUNDI
Cabinet du Président
B.P 114 Gitega Tél 22 40 50 08
22 40 50 23
SENAT

**C.P.I.à :**
Son Excellence Monsieur le Vice-Président de la République

**INAMA**

**NKENGUZAMATEKA**

Adresse : Avenue du Peuple Murundi
B.P. : 114 Gitega
Tél. : (+257) 22 40 50 08
22 40 50 23
Site Web : www.senat.bi
e-mail : info@senat.bi
*N.Réf: SNB/COM.II et III/ ....... /2023*

**SENAT**

REPUBLIQUE DU BURUNDI

| |
|---|
| **LEG VI/Q.O. N °19** |
| **Le 02 AOUT 2023** |

**IKIBAZO CIYAGUYE GISHIKIRIJWE ABASHIKIRANGANJI MU VYO BAJEJWE HARIMWO INTWARO YO HAGATI MU GIHUGU, UBUTUNZI N'UBUDANDAJI, KU BIJANYE N'IDUZWA HAMWE N'IDUGA RY'IBICIRO VY'IBIDANDAZWA VYA NKENERWA MU BUZIMA BW'ABENEGIHUGU**

## I. INTANGAMARARA

Ingingo ya 17 y'Ibwirizwa Nshingiro rya Repuburika y'Uburundi irerekana neza ko Reta ijejwe gukora ivyo abarundi bipfuza harimwo umutekano, amagara meza, ugukingirwa inzara, ukworohereza abenegihugu mu kubaronsa ivya nkenerwa bivanye n'amikoro yabo.

Ingingo ya 27 y'Ibwirizwa Nshingiro kandi irerekana ko Reta yitaho mu buryo bwose bushoboka ko abenegihugu baronka uburyo bukwiye bwo kubaho bubereye zina muntu. Ivyo navyo ni ishingiro rikomeye rituma haba iterambere rishingiye ku kwiyumvamwo igihugu cabibarutse.

Ibwirizwa Nshingiro rya Repuburika y'Uburundi mu ngingo yaryo ya 163 riraha Inama Nshingamateka na Nkenguzamateka ububasha bwo kugenzura ishirwa mu ngiro ry'ibikorwa vya Reta.

Hariko haribonekeza iduzwa ry'ibiciro vy'ibidandazwa bihingurirwa mu gihugu. Aha twovuga isukari, isima ya BUCECO, ibinyobwa vya Brarudi n'ibindi. Dusanga ari ngombwa ko abenegihugu basigurirwa ikibitera hamwe n'icisungwa mu gushinga ivyo biciro bishasha.

Mu gihugu c'Uburundi gisanzwe kigengwa rero n'amategeko aho Reta isanzwe ifise ubushikirangaji bujejwe gutunganya ibisata vy'ubuzima bw'igihugu kandi itunganywa ry'ivyo bikorwa vya Reta bikorwa habaye kuja inama n'iyuzuzanya haba mu kwiyumvira ingingo zofatwa, haba mu kuzishira mu ngiro hamwe no mu kuzubahiriza.

Twisunze ibivuzwe hejuru muri ino minsi haribonekeza ibintu bimwe bimwe bikeneye umuco, aho twotanga akarorero :

REPUBLIQUE DU BURUNDI
Cabinet du Président
B.P 114 Gitega Tél 22 40 50 08
22 40 50 23
SENAT

- harafashwe ingingo ko ibiciro vy'ibidandazwa nk'inyama, isima, ibinyobwa vya Brarudi bibwirizwa kuba bimwe ku gataka k'Uburundi kandi uburyo bwo kubishikana aho bidandarizwa atari bumwe kuko bimwe biba bija kure ibindi hafi, bimwe bikagenda n'imiduga ibindi n'amakinga canke ku mutwe. Iyo ngingo igatuma hamwe ibidandazwa bibura mu burere bumwe bumwe ahandi naho abadandaza bakanabipfungigwa kuko baca bagurisha ku giciro kiri hejuru kugira bagarure uburyo bakoresheje mu kuvyunguruza ;

- haranibonekeza kandi ku mipaka imwe imwe abantu babuzwa kugurira ibidandazwa bimwe bimwe bisanzwe mu bihugu bibanyi kandi hibonekeza ikena ryavyo hagati mu gihugu ;

- haribonekeza imyidogo ishingiye kw'iduzwa ry'amafaranga arihishwa abadandaza mu masoko amwe amwe yubatswe na Reta mu gisagara ca Bujumbura.

## II. IBIBAZO NYEZINA

**IKIBAZO KIBAJIJWE ABO BASHIKIRANGANJI UKO ARI BATATU**

Banyakwubahwa bashikiranganji, mwoba muja inama n'ingingo mu gufata izo ngingo z'iduzwa n'ishingwa ry'ibiciro ?

**IKIBAZO CA 1 KIBAJIJWE UMUSHIKIRANGANJI MU VYO AJEJWE HARIMWO IKIGEGA CA RETA**

**Nyakwubahwa Mushikiranganji, turipfuza kumenya ico mwisunze kugira mushinge ayo mahera abo badandaza muri ayo masoko bariko bararihishwa ?**

**IKIBAZO CA 2 KIBAJIJWE UMUSHIKIRANGANJI MU VYO AJEJEJWE HARIMWO UBUDANDAJI**

**Nyakwubahwa Mushikiranganji, mwosigurira abenegihugu ingene ibiciro vy'ibidandanzwa vya nkenerwa biduga ku rugero rurenga 30% mu kiringo kitarenga ukwezi kumwe kandi ivyo bidandazwa nyene bitariko biraboneka mu gihugu ?**

**IKIBAZO CA 3 KIBAJIJWE UMUSHIKIRANGANJI MU VYO AJEJWE HARIMWO INTWARO YO HAGATI MU GIHUGU N'UMUTEKANO**

**Nyakwubahwa Mushikiranganji,**

**a) mbega mubona hokorwa iki kugira ibiciro Reta ishinga vyubahirizwe mu gihe abadandaza batabikura mu bibanza bingana (distance) kandi hakaba hadakoreshwa uburyo bumwe mu kubishikira ? Dufatiye nk'akarorero ku biciro vy'inyama.**

REPUBLIQUE DU BURUNDI
Cabinet du Président
B.P 114 Gitega Tél 22 40 50 08
22 40 50 23
SENAT

**b) Mbega Uburundi bwohomba iki mu gihe hotunganywa neza uburyo bwo kwinjiza ibidandazwa nk'igitoro, isukari, isima, ibinyobwa n'ibindi bitarwiriye mu gihugu cacu canke tudafise kugira umwenegihugu yoroherwe yongere akore akazi kiwe aho kwirirwa ariruka yinyegeza abajejwe ivyinjira n'ibisohoka, kandi tuzi neza ko bitareka kwinjira mu kinyegero ivyo na vyo bigatuma umwenegihugu abironka bimuzimvye kandi na Reta ikahahombera?**

**KUBW'UMURWI WAMAHO MU VYO UJEJWE HARIMWO IBIBAZO VY'IBIDUKIKIJE N'UBUTUNZI ;**

**Umukenguzamateka NDIHOKUBWAYO Pacifique,**

**Umukuru w'umurwi.**

**KUBW'UMURWI WAMAHO MU VYO UJEJWE HARIMWO IBIBAZO VY'AMATEGEKO N'AGATEKA KA ZINA MUNTU;**

**Umukenguzamateka NIZIGIYIMANA Benoîte,**

**Umukuru w'umurwi.**

REPUBLIQUE DU BURUNDI
Cabinet du Président
B.P 114 Gitega Tél 22 40 50 08
22 40 50 23
SENAT